REPUBURIKA Y'UBURUNDI

IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU

Ubunyamabanga Bukuru bwa Reta

# ITANGAZO N°17/2024 RY'INAMA IDASANZWE Y'ABASHIKIRANGANJI YO KU WA MBERE IGENEKEREZO RYA 23 KIGARAMA 2024

Abagize Reta y'Uburundi bakoranye kuri uyu wa Mbere igenekerezo rya 23 Kigarama 2024, mu nama idasanzwe i Bujumbura, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE. Ku rutonde rw'ivyigwa hari integuro imwe gusa, na yo ikaba ari :

1. **Integuro y'itegeko riha uruhusha ishirahamwe SOTREVO MINING COMPANY LIMITED rwo gucukura ubutare bwa kasiterite na colombo-tantalite n'ubwo bibangikanye mu karere ka Murehe, muri Komine Busoni, Intara ya Kirundo,**

yashikirijwe n'umushikiranganji w'amazi meza, amasoko ntanganguvu, ubutare n'agataka

Mu ntumbero yo gushika kuri ya mbokazoza y'Uburundi nk'igihugu cifashe mu mwaka wa 2040, giteye imbere mu mwaka wa 2060, Reta y'Uburundi yipfuza kugwiza uburyo buva mu gisata c'ubutare na kariyeri kugira ngo buteze imbere ubutunzi bw'igihugu.

Uburundi burafise ubutare butari buke mu karere ka Murehe, mu gihe bwocukurwa neza bwogira ico bufashije mw'iterambere ry'ubutunzi bw'igihugu. Kugira ngo ubutare bwa kasiterite na colombo-tantalite bucukurwe neza, Reta y'Uburundi yipfuza gukorana n'ishirahamwe SOTREVO Mining Company Limited muri ico gikorwa.

Kw'igenekerezo rya 19 Gitugutu 2024, iryo Shirahamwe ryaranditse ikete, rimenyesha ko ryipfuza gucukura ubwo butare. Mu kubimenyesha, iryo shirahamwe ryarerekanye ivyigwa vyakozwe bigaragaza ko ubutare buri muri ako karere bushobora kungana n'amatoni imiriyoni cumi na zibiri n'ibihumbi amajana indwi (12 700 000).

Amasezerano yo gucura ubwo ubutare azomara ikiringo c'imyaka icumi n'itanu (15) kigabuye mu bice bitatu vy'imyaka itanu-itanu.

Ku vyerekeye uburyo buzokora muri uwo mugambi, mu gice ca mbere, buzoba bungana n'amafaranga y'amarundi agera ku miriyaridi zitandatu n'imiriyoni amajana icenda na mirongo itanu n'ibihumbi amajana atatu na mirongo icenda na bitanu n'amajana umunani na cumi n'atanu (6 950 395 815) hamwe n'amadorari ya Amerika ashika imiriyaridi zitanu n'ibihumbi amajana icenda na mirongo itanu n'umunani n'amajana umunani na mirongo ine n'atandatu (5 958 846).



B.P. 2800 BUJUMBURA ; Téléphone : 22 21 27 47 ; Télécopie : 22 213545 ; E-mail : sge@burundi.gov.bi

Kuri ivyo bice bindi bibiri bikurikira amafaranga y'umutahe azoba angana n'imiriyaridi mirongo ine na zitanu n'imiriyoni amajana umunani na mirongo umunani n'ibihumbi amajana icenda na mirongo umunani na kimwe n'amajana atanu na mirongo itandatu na rimwe (45 880 981 561).

Reta y'Uburundi ishira mu minwe y'iryo shirahamwe ricukura ubutare agataka kugira ngo ricukure ubwo butare gusa muri ico kiringo gitegekanijwe, hamwe n'ibiharuro vyose bimaze kwegeranywa mu vyigwa ku bijanye n'ubwo butare.

Kugira ngo uwo mugambi ushobore kubandanya, hariho amafaranga iryo shirahamwe rizoza rirashira ku ruhande mu ntumbero yo kubungabunga inyubakwa ayo masezerano ni yahera. Iruhande y'ayo mafaranga yo ku ruhande, iryo shirahamwe rizotegerezwa kuza rirasanura inyubakwa n'ibikoresho.

Igaburwa ry'umwimbu rizofatira ku vyagurishijwe ku rugero rukurikira :

- Reta y'Uburundi itwara ibice mirongo ibiri kw'ijana (20%) vy'ivyagurishije ;
- Iryo shirahamwe SOTREVO rigatwara ibice mirongo umunani kw'ijana (80%) havuyemwo ya mafaranga yo gushira ku ruhande azoba agenewe kubungabunga inyubakwa n'ibikoresho inyuma y'ayo masezerano.

  Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarayemeje ibanje kuyitosora no kuyunganira mu duce tumwetumwe.



## 2. Utuntu n'utundi

Mu kigabane c'utuntu n'utundi, abagize inama nshikiranganji bamenyeshejwe ko bazotangura akaruhuko igenekerezo rya 02 Nzero 2025 bakakarangiza kw'igenekerezo rya 17 Nzero 2025, maze bakazosubira ku mirimo kw'igenekerezo rya 20 Nzero 2025.

Mu gusozera inama, Nyenicubahiro Umukuru w'igihugu yaboneyeho kwipfuriza abagize Urwego nshingwabikorwa Umwaka muhire wa 2025 wimirije, ati « ese wotubera umushibuka udushikana ku mahangiro y'Imbonakazoza ya 2040-2060 »

Bigiriwe i Bujumbura, ku wa 23 Kigarama 2024

**Umunyamabanga mukuru wa Reta**

**Jérôme NIYONZIMA. -**

B.P. 2800 BUJUMBURA ; Téléphone : 22 21 27 47 ; Télécopie : 22 213545 ; E-mail : sge@burundi.gov.bi